Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°804 01 Kigarama 2023

# «Ntihaze hagire umworo n'umwe wirengagiza» (Tobito 4,1) (*Ibikurikire*)



*Ku musi w'Imana urongora Umusi Mukuru cane wa Kristu Mwami w'ijuru n'isi, Nyenubweranda Papa yama ashikiriza Ekleziya inyigisho yerekeye « aboro ». Maze agashikiriza iyo nyigisho avuga ati : "***Ntihaze hagire umworo n'umwe wirengagiza***"(Tb 4, 7 )*

Uruhumyi rwa Tobito rwamuhaye inkomezi, arugurura amaso, abona neza ubwoko bwinshi bw'ubukene bwari bumukikije.

Umukama nawe, umusi uri izina, azomutera iteka n'akanyamuneza ko gusubira kubona neza ateko abonane n'umuhungu wiwe Tobiya.

Uyo musi ushitse "Tobito amugwa mu bitugu, arariral, araheza amubwira ati: "Ndasubiye kukubona mwana, wewe muco w'amaso yanje".

Hanyuma avuga ati: 'Imana nihezagirwe. Izina ryayo rihambaye riragahezagirwa.

Soma ku Rup. 3

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ijambo ry'Abepiskopi bahurikiye mu nama y'Ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi b'ibihugu vy'Afrika yo hagati

Umusi wahariwe igisabisho n'urugendo rweranda rwo gusaba amahoro kw'isi na cane cane mu karere k'ibiyaga binini.

Ijambo ry'Abepiskopi bahurikiye mu nama y'Ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi b'ibihugu vy'Afrika yo hagati.

1. Ubushikiro ni ikiringo co kwitegurira gusanganira Umwana w'Imana, nkuko umuhanuzi Izaya yari yamubuye akamwerekana nk'Umuhanuzi w'agatangaza, Mutware w'amahoro (raba Is 9, 5).

2. Mu twigoro tudasanzwe two kwunganira ingendo yo kwubaka amahoro, Abepiskopi b'amadiyosezi y'ibihugu vyacu uko ari bitatu (Uburundi, Urwanda na Republika iharanira Demokarasi ya Kongo), mu nama yabo ya bose idasanzwe yabaye kuva ku wa 15 gushika 18/5/2022, bashinze ko idominika yambere y'Ubushikiro izoba akaryo keza ko gusabira amahoro no kuzirikana ingendo y'ikigongwe, ugusubiza hamwe n'amahoro. Si ibisanzwe kubona idominika ya mbere y'Ubushikiro yegeranye n'aho ishirahamwe ryacu ryashingwa, hari ku wa 3/12/1984. Si igihamana.

Ahubwo bitwereka ko ari ishaka ry'Imana ritwakura uko bukeye uko bwije,

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Ijambo ry'Abepiskopi bahurikiye mu nama y'Ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi b'ibihugu vy'Afrika yo hagati....................................................4
o Uruhara rw'umuryango mu vy'amagara y'abantu.........................................6
o Indwara yo mu kigo iravurwa kandi igakira..............................................7
o Kuva 2025, intara ya Gitega izoba igizwe n'amakomine 9......................9

# Idominika ya mbere y'Ubushikro: Umwaka B

**Igisomwa ca mbere :** ***Izaya: 63, 16- 17.19.64,2- 7***

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya:

(*Hamagara Umukama amanuke aze kudukiza*)

Mukama, ni wewe uri Dawe n'umucunguzi wacu, kandi iryo ni ryo zina ryawe kuva na kera hose. Ni kuki ga Mukama Mana utureka tukayerera kure y'inzira zawe, ugakomantaza imitima yacu, tukanka kukwubaha? Igarure kubera urwo ukunda abasavyi bawe n'ibisata vy'icibare cawe.

Igihugu cawe ceranda cabaye akanya gato mu cibare caco, abaturwanya baratabatanze Ingoro yawe. Kuva kera tumeze nk'abo utakiganza, izina ryawe ntibakiryitirirwa. Iyo uba wari utabuye ijuru ukamanuka, imisozi yosenyutse imbere yawe, nka kurya umuriro uririka inkwi zumye, nka kurya umuriro ubiza amazi, abakurwanya bomenya izina ryawe, amakungu yohinze umushitsi imbere yawe.

Aho wakora ibintu biteye ubwoba tutari twiteze, waramanutse, imisozi irasenyuka imbere yawe. Kuva na kera nta wari bwigere yumva canke ngo atege ugutwi, nta jisho ryari bwigere ribona iyindi mana igirira ivyo uwuyishimiye, atari wewe. Waragendeye uwahimbarwa n'ukurangura ubutungane, abakwibuka mu kugendera mu nzira zawe.

Ehe warashavuye kuko twacumuye. Mu nzira zawe ni ho tuzorokokera na ntaryo. Twese twari tumeze nk'ibihumane, ibikorwa vyacu vyose vy'ubutungane vyasa n'impuzu yanduye. Twese twari twakabiranye nk'amababi yumye; na vyo ivyaha vyacu bikatuvumbura nk'umuyaga. Nta n'umwe yambaza izina ryawe, nta n'umwe aguma agavye ngo akwiyegereze. Nkako waduhishije amaso yawe, udutererana ivyaha vyacu.

Ariko, Mukama, ni wewe Dawe; turi ibumba, nawe ukaba ari wewe watubumvye, twese twahinguwe n'iminwe yawe. Ntushavure birenze urugero, Mukama, ntugume wibuka ivyaha gusa. Ehe, twese turi igihugu cawe. Ibisagara vyawe vyeranda vyacitse agahinga, Siyoni yacitse ubugaragwa, Yeruzalemu nayo yacitse umusaka.

## Igisomwa ca kabiri : *1 Abanyakorenti: 1,3-9*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti:

(*Turiteze ukumenyekana kw'Umukama wacu Yezu Kristu*)

Ncuti zanje : Tubipfurije imigisha n'amahoro biva ku Mana, Dawe wa twese no ku Mukama Yezu Kristu. Simpengeshanya gukengurukira Imana ku bwanyu kubera ingabirano y'Imana mwaronse muri Kristu Yezu. Nkako muri we mwabaye abatunzi muri vyose, muba abahinga mw'ijambo no mu bumenyi bwose. Erega intahe mushingira Kristu irashemeye muri mwebwe. Ni co gituma ata ngabirano n'imwe mubuze, ubu mwiteze ukumenyekana kw'Umukama wacu Yezu Kristu. Ni we kandi azoguma abakomeza gushika ku muhero, kugira ngo ntihagire ico bazobagiriza ku musi w'Umukama wacu Yezu Kristu. Imana ni Rudatanamundagano, yo yabahamagariye kwunga ubumwe n'umwana wayo, Yezu Kristu Umukama wacu.

## Inkuru nziza : *Mariko : 13,33-37*

**Alleluya, Alleluya.**

- Twereke Mukama, ikigongwe cawe, uheze udutabaze urukiza rwawe.

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Mariko :

*(Murabe maso kuko mutazi aho nyen'urugo azotahukira)*

Muri irya minsi, Yezu yabwiye abigishwa biwe, ati: "Nimube maso mugabe, kuko mutazi aho ico gihe kizoshikira. Bizomera nk'umuntu yafashe urugendo, mu kuva i muhira, agaha ububasha abasuku biwe, umwumwe akamuha igikorwa ciwe, agategeka umusangarembo kurarira. Nimwame mugavye rero, kuko mutazi aho nyene urugo azira, ko ari ku mugoroba canke mu gicugu canke mu nkoko canke mu gitondo, ahandiho yohava aza giturumbuka, agasanga musinziriye. Ivyo ndababwiye, ndabibwiye bose, nimugabe!»

**Muradutunge:**

**Mu nomero iheruka y'803, ku rupapuro rwa 4, aho kwandika ko «Inarume wa Karori Borome» ari Papa Piyo wa 4, twanditse ko ari Papa Piyo w' 14 ; kuko Papa Piyo wa nyuma ari uw'12.**
**Ikindi naco ni aho Karori Borome yavukiye: yavukiye «Arona» si Aroma.**

**Turashimiye abaduhubuye. itwereka ko bazi akahise k'Ekleziya kandi ko bakunda gusoma Ikinyamakuru Ndongozi t'Uburundi. Muragorana iteka!!!**

# Inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yo ku musi mpuzamakungu ugira 7 wahariwe aboro

(Bitangurira ku rup.1

Abamarayika beranda bose baragahezagirwa gushika mu myaka yose. Erega ni Imana ubwayo yari yampanye, none ehe raba ndasubiye kubona umuhungu wanje Tobiya" (11,13-14).

3. Turashobora rero kwibaza aho Tobito yavoma ubwo butwari n'izo nkomezi z'umutima vyamuha gukorera Imana kandi akikijwe n'abapagani gushika naho yitangira umugenzi ata gutinyirira ubuzima bwiwe?

Araduha akarorero kadasanzwe: Tobito ni serugo agumya ibanga akaba n'umuvyeyi yamana umwitwarariko ; yarasangiye na bene wabo kwangazwa arata igihugu ciwe kandi ako karenganyo kakamubabaza cane. Yararinze uruhamo ruturuka ku Mwami n'ababanyi biwe…

Naho yari intore yarageragejwe. Nkuko tuvyigishwa kenshi n'Ijambo ry'Imana, Imana ntikingira ibigeragezo abaharanira ineza.

None ni kubera iki ?

Imana ntiba ishaka kutumaramaza, ahubwo ishaka kudukomereza ukwemera kwacu. Muri ayo mageragezwa, Tobito yahigiye kubona ubukene bwiwe bimuha kumenya kubona aboro.

Yari asanzwe agendera amategeko y'Imana, mugabo kuri we ivyo ntivyari bikwiye.

Ukwitwararika aboro mu biboneka yarabishoboye kuko nawe yaraciye mu biremereye vyagerageje umubiri wiwe.

Nico gituma, amajambo akomeye yatekereye umwana wiwe Tobiya ari iragi rikomeye ryiwe: "Ntihaze hagire umurushwa numwe wirengagiza"(Tb 4,7).

Igihe cose turi imbere y'umworo ntidushobora kumwirengagiza kuko twoba turiko turirengagiza kumubonamwo Yezu we nyene ubwiwe. Iyo tuvuze "ntihagire umworo n'umwe", bisigura yuko umw'umwe wese muri bo ari umugenzi wacu. Ntituba rero tugihagarara ku bidutandukanya bifatiye ku bwoko, igihagararo, canke amamuko…

Ni naba vy'ukuri nanje ndi mworo nzotegera umuvukanyi ari mu bukene, akeneye ubufasha bwanje. Duhamagariwe gushikira umworo uwari we wese mu bworo bwiwe butandukanye. Ivyo bidusaba kurwanya ico cose coza kidusamaza gituma twitwararika ibihinda bihera vyo kw'isi.

4. Turi mu bihe bitatworohereza namba kwitaba akajwi k'aboro. Nkako, umwitwarariko wo kurondera kumererwa neza kuri benshi uguma wongerekana ku buryo burenze, bigatuma amajwi y'abari mu bukene atumvikana namba.

Abantu b'ubu bashaka yuko vyose vyinjira mu nyifato ifatiye ku mico igezweho cane cane abakiri bato, kandi ari nabo cane cane dusanga bageramiwe n'iryo hindagurika ry'imico.

Ntibashaka kwerekwa ico cose kiza kibasaba kwigora ari nako bashira imbere ubukomezi bw'umubiri wabo nk'uko womengo ni ryo hangiro ry'ubuzima bwabo.

Ubuhinga ngurukanabumenyi bwo mu misi ya none buguma bushaka gusubirira ubuzima nyakuri ku buryo duhakwa no kuvyitiranya. Aboro basigaye bameze nk'amasanamu abantu basamarira akabatera impuhwe akanya isase yamara bahwanye na bo mu nzira, za mpuhwe zigasubirirwa no kubinuba canke kubakumira.

Ugukora vyose banyaruka mu buzima bwa misi yose, bituma abantu batakimenya guhagarara, gutabara no kwitwararika uwundi.

Wa mugani w'umunyasamariya w'ikigongwe (raba Luka 10, 25-37) dutegere yuko atari uwo muri kahise kuko uratwakura muri k'ubu ka zina muntu wese.

Nkako, ugutuma abandi biroroshe; ugutanga amahera ngo abandi bayakoreshe mu gufasha aboro ni igikorwa c'iteka; yamara ukwitanga wese ni wo muhamagaro wa zina mukristu wese.

5. Dushimire Imana kubw'igikorwa c'ukwitangira aboro n'abakumiriwe cama kirangurwa n'abashingantahe n'abapfasoni benshi basabikanya utwo bafise n'abo baruhijwe.

Dushimire Imana kubera ukwitanga kw'abantu batadukanye bihebera kwegera no kwakira abantu bababara n'abagowe hamwe n'abo bose bakumirwa. Abakora ivyo si ibihangange, ariko ni « ababanyi » twama duhura imisi yose bama bifadikanya n'aboro mu gacerere.

Ntibagarukira k'gutanga ibintu ariko barazi kwumviriza, kuyagisha maze bakagerageza gutahura ivyo barimwo n'imvo zibitera mu ntumbero yo gutanga impanuro hamwe n'inyishu zibereye.

Baratanga intabaro y'umubiri batibagiye n'umutima mu ntumbero yo kugarukira umuntu uko yakabaye wese. Ubwami bw'Imana burigaragaza muri ico gikorwa nyezina c'ukwitanga kandi kizira kwirondera.

Tubugereranya vy'ukuri na ya mbuto igwa mw'ivu ryiza ry'ubuzima bwabo igaheza ikama vyinshi (raba Luka 8,4 15).

Ibik. urup.12

# Ijambo ry'Abepiskopi bahurikiye mu nama y'Ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi b'ibihugu vy'Afrika yo hagati

*(Bitangurira ku rup.1*

ku buryo budasanzwe mu misi ya none, inyuma y'imyaka 39 (3/12/1984 – 03/12/2023).

3. Mu ntumbero yo guhozako mu kwitwararika amahoro, mu misi iheze, twebwe, Abakaridinali, Abepiskopi bakuru n'Abepiskopi baje baserukira Komite ihoraho y'iryo shirahamwe ryacu, twarahwaniye i Roma, kuva ku wa 16 gushika ku wa 18/10/2023 kugira twigire hamwe inzira zibereye zo kuremesha amahoro muri aka karere k'ibiyaga binini.

Uko guhanahana ijambo, twashatse yuko kutubera nk'urugendo rweranda mu gisagara ceranda c'i Roma ; ivyo biyago vyabaye mu gihe hariko haba Inama nsangizagendo y'Abepiskopi yahurikiyemwo intumwa ziserukira Ekleziya yose ngo bazirikanire hamwe iki ciyumviro : « Niwagure ihema ryawe » (Isaie 54,2).

Tubitumwe n'umwitwarariko w'ubutumwa bwacu, mu nama yacu, twarashikirije umwitwarariko wacu wo guhamagarira abene gihugu bose bo mu Burundi, Republika iharanira Demokarasi ya Kongo n'Urwanda, kwemera kubana batekanye, mu gufashanya n'abajejwe intwaro kugira indwano ziri hagati y'ibihugu n'aho tubaye zihere.

Ntitwibagiye kandi ko tugize urunani n'ibindi bihugu vyo kw'isi bisangiye natwe muri kino gihe amakuba, cane cane ku mugabane w'Uburaya mu bice vyo hagati n'ubuseruko.

4. Igikorwa co kwubaka amahoro ni igikorwa kitwega twese. Nta numwe yokwigira sindabibazwa. Nico gituma kuri iyi Dominika ya mbere y'Ubushikiro dusaba tukagira n'urugendo rweranda kugira ngo:

- Habe mu mitima y'abantu ukurushirizaho gutegera ko ukurondera amahoro ari igikorwa ngombwa cane cane muri aka karere kacu k'ibiyaga binini ;

- habe ukwitanga nyakwo kw'Ekleziya mu ngendo yo kurondera amahoro ;
- habe ugukomeza umubano mwiza mu bantu no gutsimbataza ubutungane n'ugusubiza hamwe mu kuri ;

- habe ugufasha abantu kuva mu bworo no mu bukene ;

- habe ukwigisha abantu ingendo y'amahoro avuyeku mutima be n'urukundo rw'abonse rimwe ;

- habe ugushingira intahe ukwemera mu karere karimwo ibibazo.

5. Ukuremesha amahoro ni igikorwa co guhozako. Muri iyo ntumbero y'uno musi wo gusabira amahoro no kugira urugendo rweranda mu maparuwasi yacu, tuzohwanira i Goma hamwe n'abakristu bazoza baserukira amadiyoseze, kw'idominika yo ku wa 28/01/2024.

Hazoba Inkuka y'imisa yo gusozera, ku rwego rw'akarere, igisabisho c'indwi yahariwe gusabira ubumwe bw'abemera Kristu, dusanzwe duhimbaza ku wa 25/01.

Nico gituma tubitumwe n'umwitwarariko w'ubutumwa bwacu, tuzohwana mu kwezi kwa gatatu 2024, n'abajejwe ibisata vy'ubutumwa bijejwe Ubutungane n'amahoro, kugira ngo dushishikare kuzirikana icokorwa kugira ngo mu karere k'ibiyaga binini hashobore kurema amahoro arama dushize imbere icivugo "Amahoro mu biyaga binini."

6. Kw'izina ry'Abakardinali bacu babiri no kw'izina ry'abavukanyi bacu bepiskopi bo muri iryo shirahamwe, ndabifurije mwese umwitegruro mwiza wo kwakira mu buzima bwacu no mu mitima yacu, Ivuka ry'Umwami w'amahoro.

Ese Bikira Mariya, Umugabekazi w'Afrika akaba n'Umugabekazi w'amahoro yoshigikira utwigoro twacu kandi agakandira Afrika n'abenegihugu bose bo mu karere k'ibiyaga binini.

Bigiriwe i Kinshasa, kw'igenekerezo rya 3/12/2023,

Ku Musi Mukuru wo kwibuka ishingwa ry'ishirahamwe ry'Amanama y'Abepiskopi y'ibihugu vy'Afrika yo hagati.

Musenyeri Joze MOKO, Umukuru w'Ishirahamwe ACEAC

**Igisabisho ca yubile y'imyaka 125 iheze Inkuru nziza ishitse mu Burundi**

**Dawe mweranda, turagukengurukiye ko waturungikiye Umwana wawe w'ikinege Yezu Kristu, akigira umuntu, akaducungura, akatunywanisha na wewe Dawe, akongera akatuvukanisha twese.**

**Dawe Mweranda, nuninahazwe kubw'inkuru nziza Umwana wawe yatumenyesheje. Turagushimiye ku bayakiriye ubwa mbere, bakayimenyesha bahereye i Yeruzalemu, igashika n'aha iwawcu mu Burundi, haraheze imyaka ijana na mirongo ibiri n'itanu. Turagukuriye ubwatsi ku gikorwa c'agatangaza abamisiyonari bose baranguye mu kuyidushikiriza.**

**Dawe Mweranda, turakengurutse ingabirano y'ukwemera n'Ibatisimu yatuvukanishije n'Umwana wawe Yezu Kristu kubera Ijambo ryawe twigishijwe. Turagukengurukiye no kun go z'abakristu zubatse zisunze umugambi wawe. Turagusavye uzikomeze na ntaryo zame ari amayogi y'urukundo n'umwumvikano, abibwamwo Ijambo ry'Imana, ukuri n'ubutungane, amahoro n'ukurekuriranira.**

**Dawe Mweranda, rungikira Mutima wawe ingo zose zihanzwe na vyinshi, ntizihebure, zivome riho inkomezi mw'Ijambo ryawe no mu masakramentu, zongere ziremeshwe n'umuvukano uranga abana bawe.**

**Dufashe ngo iyi Yubile itubere akaryo keza ko kwinagura ngo dukomeze ukwemera kwacu, maze ingo n'imiryango vyitange bitiziganya kugira ngo umuco w'Inkuru nziza ushware imitima y'abantu bose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu. Yezu, Mariya na Yozefu, Muryango Mweranda w'i Nazareti, Dusabire!**

***Ndongozi y'Uburundi***

# Igice ca mbere c'inama nsanginzangendo caraye gisozerewe *(Ibikurikira)*

Ku wa 29 Gitugutu 2023 i Vatikano niho basozera igice ca mbere c'inama sangizangendo izobandanya muri Gitugutu 2024.

Icegeranyo ciyo nama kikaba casohotse ku wa 28 Gitugutu 2023 inyuma y'indwi zine zari ziheze batanguye iyo nama ku wa 4 Gitugutu 2023 mu nzu y'inama yitiriwe Paul VI.

Ibikuru bikuru biri muri iryo kete ry'icegeranyo c'iyo nama.( ibikurikira)

*16. Ibijanye n'inyigisho*

Inama nsangizagendo yarasavye ko mu nyigisho zitangwa hoba ibijanye n'igishika co gukunda, ibijanye n'igitsi-na hamwe no guherekeza urwaruka mu nzira y'igikuriro n'itorwa ry'Ubusaserdoti no kwihebera Imana.

Muri iryo kete, inama nsangizangendo irasaba ko hoba ibiganiro vyimbitse ku bijanye n'ubuhinga mu vy'imibano kugira ibibazo bimwe bimwe bijanye n'igitsina biharonkere inyishu.

Muri Ekleziya, ivyo bibazo bisa nibiteza ingorane zimwe zimwe. Birakwiye gufatirwa umwanya kandi bikirwa bimwe bishitse, badahaye umwanya ivyipfuzo bimwe bimwe bishobora gurtyoza no gukomeretsa Ekleziya.

*17. Ukwumviriza*

Iryo kete kandi riraka-bura ubutumire bwo kwumviriza abantu bose bumva ko umengo ntakibanza bafise muri Ekleziya canke bakumiriwe kubera uko babayeho mu miryango iwabo, ibibazo bafise bitumwa n'inyifato zabo hamwe nizijanye ni igitsina; basaba kwumvirizwa, guherekezwa, bagasaba ko agateka kabo ko haranirwa.

Icipfuzo cabo nuko bosubira mu nzu ariyo Ekleziya, bakwumvirizwa bakongera bakubahirizwa badatewe ubwoba no gucibwa urubanza. Abakristu bahamagariwe kwubaha no guha agaciro umuntu uwariwe wese.

*18. Ukwabira abagore benshi.*

Bahawe umuco n'ivyashikirijwe na bamwe bagize inama nsangizagendo yo muri Afrika, barashigikiye ivyiyumviro vyabo babasaba ko bokwama bashira imbere ugutohoza neza mu muco w'ubutumwa bwo kumenyesha inkuru nziza ibijanye no gutunga abagore benshi, no guherekeza abari muri uwo murwi mu gihe cose bagaragaje umutima wo kugaruka ku kwemera kwabo.

*19. Ibijanye n'ubuhinga ngurukanabumenyi.*

Iyo nama yarasavye kutinuba ubuhinga bwa none bukoreshwa biciye mu materefone. Ariko



bakama bibuka ko ubwo buhinga butama ari bwiza. Birihuta rero ko igihugu c'Imana cofasha abantu bakoresha cane ubwo buhiga kugira bafashe imiryango gukora uko bashoboye ngo ubwo buhinga babukoreshe mu gihe bikenewe.

Mu nkuka ya misa yaheraheje iyo nama, Nyenubweranda Papa Fransisiko yarerekanye ibizotuma Ekleziya yisubiza itoto: « ugukunda Imana n'umutima wacu wose no gukunda umugenzi nkuko twikunda bizotuma ibiharuro tugira mu gukurikira abisi birangira».

Kugira bishoboke, Nyenubweranda yarerekanye umuti wivyo vyose:

- *Ugushengerera Yezu mu Ukaristiya.*

Yipfuza ko Ekleziya yoba iyirangwa no gusenga duhanze amaso Yezu mw'isakramentu ry'Ukaristiya.

Muri diyoseze, paruwase no mu mibano harangwe nico gisabisho. Ico gisabisho co gushengerera gituma abantu batikuririza no kwirinda ibigirwamana biterwa no kwigungirako.

- *Ukwitanga*

Ikindi kizoshobora guhindura Ekleziya ni ukwitanga. Ekleziya yoba iyitanga gushika aho ishikira ishusho Yezu Kristu yatweretse aho yoza ibirenge vy'abatumwa. Ekleziya nayo igahamagarirwa kwoza ibirenge vy'abantu benshi bakomeretse.

Mu guheraheza Papa yaremesheje abari muri iyo nkuka ya misa ko Imana izotuyobora, idufashe kuba Ekleziya itambukira hamwe, imenyesha inkuru nziza, isenga Yezu mu karistiya, isenga I-mana kandi irangurira ubutumwa mu bantu ibereka akanyamuneza kuzuye.

**MSV Ndikumana Marie Goreth**

# Uruhara rw'umuryango mu vy'amagara y'abantu

Indero y'abana mu muryango, yamye ifatwa n'abahinga mu vyigwa vy'imibano nk'umugambi ufasha umwana gukura no gushinga imizi mu muryango yavukiyemwo hamwe no mu gihugu.

Na none, mu muryango niho umwana yigira kuvuga, akamenya ikizira, imvugo, ibimenyetso, umuco n'akaranga n'ibindi.

Nk'uko umuryango wibonekeza nk'umwigisha wa mbere kandi ntasubirizwa, bagategurira gurtyo umwana ishule muri kazoza, niko n'umuryango ari umuvuzi wa mbere w'umwana n'abandi banyamuryango.

Twumve ko bikenewe ko twese tumenya ikibanza n'ibikorwa vy'umuryango mu bijanye n'amagara y'abana.

*Ikibanza c'umuryango mu guteza imbere amagara*

Amagara y'abantu si ikintu cama ha handi kandi biragoye gupima. Ico twomenya ni uko indwara nyinshi zikunda gukomoka ku guhitamwo nabi imfungurwa n'ivyo tunywa (ibiyayuramutwe, uguhohoterwa, kubura ivya nkenerwa, …) ariko uruhara runini ni urw'umuntu ubwiwe kuko niwe abwirizwa kumenya ibibereye, ibimubera vyiza n'ibimuhungabanya mu mubiri.

N'aho indwara yoza ata ruhara nyenevyo yabishizemwo, gukinga, kuvura no kuzunzuka, bisaba ko umuntu ashiramwo inguvu n'ugushaka ariko n'ikibano gitegerezwa gushiramwo uruhara n'inguvu kugira ngo uwurwaye akire : «Nari ndwaye muraza kunsuhuza » (Mt 25), ariko kandi agire ukwirinda kugira ngo ntazohave asubira kurwara kubera urwangara rwiwe canke ubusamazi.

Indero mu vy'amagara y'abantu, ifise ihangiro ryo kugumiza ibintu ku rugero rwiza, gukinga indwara dufatiye cane cane ku ruhara rw'umuntu n'ikibano.

Nimba inzoga ka naka imerera nabi abantu, ni uwo zamaze kwihagira azofata ingingo ariko amurikiwe n'abandi babona ingene zimugira umusega canke zimwonona.

Indwara nyinshi zituma ahaba impfu z'abana n'abakiri bato zikunze kuva ku micafu benshi bita imikorobi (Microbes) iva mu mazi no mu vyo bafungura canke bakoresha buri mwanya.

Uruhara rw'umuryango ruguma ari ntasubirizwa mu gukomeza ikibano, igihugu usanzwe ubereye ibuye ry'ishimikiro.

Umuryango uraheza ugakora ico gikorwa wisunze ibikorwa bikurubikuru bine : « Ukwigisha abantu bayo, ugukenurira ubuzima, uguterera mu bikorwa vy'iterambere, guterera mu buzima no mu butumwa bwa Ekleziya. »


Foto: Chanel HARINGANJI

*Nico gituma umuryango ubwirizwa gucungira hagufi ibi bikurikira :*

*1. Isuku ry'umubiri :*

- Urukoba
- Umushatsi
- Mu kanwa no mu menyo

*2. Isuku ry'impuzu ziboneka n'izo munsi.*

*3. Isuku ry'amazi :* Mu migezi ya rusengo, ibivomesho, ivyo bayabikamwo, n'ivyo bakoresha mu kuyadaha. Kwubahiriza amabwirizwa y'isuku, …

*4. Isuku ry'ibibanza*

- Gutorora iyarara no kurijana aho ritegerezwa kuja

- Kwubaka imigende itwara amazi y'imvura, kwimba ibinogo bihagarika umuvuduko wayo n'amazi yamaze gukoreshwa.

- Gukura ibidengeri vy'amazi kugira ngo ntibitere malaria, …

*5. Isuku ry'imisarani*

*6. Ivyiza vyo kunonora imitsi*

Mu bijanye n'isuku mu vy'imfungurwa, umubiri wacu urakenera inguvu, ubwirizwa kandi kwiyubaka kugira uze urasanura ibiba vyahungabanye wongere wikingire indwara. Ni ivyo dufungura bizana inguvu umubiri ukeneye ngo ubandanye ukora neza.

Imfungurwa zigizwe n'ingaburo zitandukanye. Harimwo ivyunyunyu, ntanganguvu na nsanganyangaburo ku rugero rutandukanye.

Imfungurwa nziza rero, zitegerezwa kuba zigizwe n'imigwi itandukanye kandi myiza ishobora gutuma ubuzima bwa muntu bumera neza.

Ni igikorwa ciza ko umuryango witwararika ingaburo y'abana n'abandi bose bawubamwo. Ariko, bobigenza gute ?

***1.Uburyo bwo kwigisha ibijanye n'amagara y'abantu***

**Biracaza**

**Patiri Sadith KENEMANA**
*Icegera c'umunyamabanga w'igisata c'Inama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi, gishinzwe Abalayike,Ingo n'imiryango hamwe n'ubuzima.*

# Indwara yo mu kigo iravurwa kandi igakira.

**Indwara yo mu kigo ni iki ?**

« Indwara yo mu kigo, ni indwara ifata abakenyezi canke abigeme kubera ikomereka ry'agasaho k'umwanda mutoya hamwe n'agasaho k'umwanda mukuru mu gihe batevye ku rwahi bariko baribaruka, bigatuma umwanda mutoya canke mukuru canke vyose hamwe bica mu bwami bw'umukenyezi ntashobore kwifata ».

Bamwe mu barwayi b'iyo ndwara twasanze mu kigo Urumuri c'i Gitega, baratwiganiye ingene yabafashe.

Uyu mukenyezi mubona yitwa NIYOMWUNGERE Noella, avuka mu gacimbiri Kabirizi, umutumba Gakana, Komine n'Intara ya Kirundo, afise imyaka 22.

*Kugira arware iyo ndwara, vyagenze gute?*



Foto: Chanel HARINGANJI

Avuga ati: «Nafashwe n'imbanyi ari ku musi wa Gatanu, baca bantwara kw'ivuriro ry'aho nari mperereye ari mw'ijoro. Haca hagera ko nibaruka ku musi w'Imana, ariko ntivyoroshe kuko umwana vyaranse ko asohoka, abaganga baragerageza biranka. Niho munyuma baca bandungika ku bitaro vy'i Kanyinya mu Kirundo barankora, ariko sinagize amahirwe yo kuronka ikibondo kuko baciye bamukuramwo uwapfuye.

Haheze imisi itatu, niho nabona umwanda mukuru uciye imbere *(mu bwami bw'umukenyezi)*, maze kubibona naricaye ndarira kuko ntarinzi iyo ndwara inshikiye iyo ari yo kandi atanaho nari bwumve bayivuga. Niho navyiganira mama, ariko nawene biramuyobera. Abaganga bamaze kubona ko atavyo bashoboye, baciye bandungika muri iki kigo Urumuri aha i Gitega.

Ndaharaye rimwe, naciye nsanga umwanda mutoya na mukuru vyavanganye vyose bica mu nzira imwe, ariko nari namaze kurema kuko nari ndi aho nshobora kuvurwa.

Mu misi ingana kuri 30 maze muri iki kigo, mfise agahengwe kuko baranyitwararika cane. Kandi ubu ndatwenga mu gihe bikinshikira narangwa n'umwijima w'agahinda ko kuruhira ubusa kubera yari imbanyi ya mbere hamwe n'ububabare naterwa n'iyo ndwara ».

Uyu nawe yitwa CIZA Evelyne avuka muri Komine Busoni intara ya Kirundo, arubatse akaba afise imyaka 22.

*Nawenyene yagize ibibazo nk'ivy'uwambere.*



Foto: Chanel HARINGANJI

Avuga ko inyuma y'aho abaganga bo kw'ivuriro ryo mu Gatare muri Busoni bagerageje kumwakira bikananirana, baciye bamurungika ku bitaro vyo mu Kirundo, ariko nahonyene bikaba bitoroshe kuko yahashitse ameze nabi cane.

Bamaze kumukora nawenyene, ntiyagiriwe amahirwe yo kuronka ikibondo kuko bamukuyemwo uwapfuye. Haheze indwi zibiri, niho ahagaze yaguma yumva ibintu bishunguruka, yaba aryamye canke yicaye, yasanga yigizeko umwanda mukuru na mutoya vyose hamwe. Ivyo vyaramuteye isoni kugezaho yumva atohaguruka ngo ace aho abantu bari, yama yicaye yigunze wenyene.

Ico gihe abaganga niho bamubwira ko yarwaye indwara yo mu kigo. Ivyo bitaro yabimazemwo amezi 3 bamuvura uruguma vyanka. Atoye mitende, niho bamurungika mu kigo Urumuri.

Uwo bubakanye amaze kumva ko arwaye iyo ndwara, yaciye amuheba, kugeza n'iyisaha akaba atazi iyo ageze.

Agatera akamo abandi bakenyezi n'abigeme boba barwaye iyo ndwara canke abo vyoshika igafata, ko batokwikumira canke ngo binyegeze, bohurumbira nyabuna kuja kwa muganga.

Iyo ndwara yo mu kigo, ntituruka gusa kuguteba ku rwahi ku bavyeyi baba bariko baribaruka; uyu mwana yitwa Ariella,



Foto: Chanel HARINGANJI

afise imyaka itanu, avuka muri Komine Kayogoro Intara ya Makamba.

Nk'uko twabibwiwe n'umuvyeyi wiwe, uwo mwana yarikumwe na nyina iyo yari gukora mu mirima, maze amusaba ko yoba aratorora udukwi, haheze akanya umwana yaciye aza ariruka arira abwira nyina ngo: *" Mama ibisusu birakorotse".*

Nyina yaciye amunyarukana kw'ivuriro ritoya ryo mu Kayogoro, ariko abaganga basanze atavyo bashobora kuko uwo mwana yari yaguye ku giti gisongoye, ico giti cari caciye inyuma mu gisusu giserukira imbere, haca hakomereka agasaho k'umwanda mukuru hamwe n'agasaho k'umwanda mutoya, vyaciye bituma ubwo nyene umwanda mukuru n'umwanda mutoya bica mu nzira imwe. Niko guca arungikwa kuvurirwa mu kigo Urumuri i Gitega.

NIYONZIMA Médiatrice afise imyaka 37,



Foto: Chanel HARINGANJI

ari mubakize iyo ndwara, aho twamusanze ku muhana mw'ikaritiye ya Mushasha mu gisagara ca Gitega, yaragaragaje ubukengurutsi kubona yarakize iyo ndwara agasubira mu muryango, ariko kubera ko atabikorwa arekuriwe gukora atarakwiza ikiringo c'amezi 6, aremeza ko iyo ndwara ihungabanya ubutunzi bw'umuryango.

Muganga NDIHOKUBWAYO Eric arongoye ibitaro mpuzantara vya Gitega ari naho hari ikigo Urumuri cakira abashikiwe n'ivyo bibazo vy'indwara zo mu kigo, arahimiriza cane abakenyezi kwirinda kwibarukira muhira kuko ari kimwe mu bitera iyo ndwara, agatera akamo abakize, ko bokwirinda gukora ibikorwa biruhisha batarakira neza, ni ukuvuga inyuma y'amezi 6, no kwirinda gukora imibonano mpuzabitsina imbere y'amezi 6, akabasaba kandi ko bosama iyindi mbanyi haheze ikiringo c'umwaka bakize iyo ndwara.



Foto: Chanel HARINGANJI

Asaba kandi ashimitse abakenyezi boshikirwa n'iyo ndwara, ko bonyarukira kuri ivyo bitaro kuko arivyo vyonyene aha mu Burundi bishobora kuvura iyo ndwara neza kandi ku buntu. Agatera akamo abagabo ko boguma hafi y'abakenyezi babo igihe bafashwe n'iyo ndwara kugira babaremeshe.

Abarwayi b'iyo ndwara rero, bikaba bitoroshe kubabona kubera kenshi bama bihishije aho abantu badashobora kubabona, kiretse ubasanze kwa muganga.

Tubamenyeshe ko iyo ndwara ikarira abigeme bibaruka batarakwiza imyaka 18 hamwe n'abakenyezi bamaze kurenza imyaka 40. Ibice 2 kw'ijana (2%) vy'abana bavuka habaye iyo ngorane, ntibagirirwa amahirwe yo kugira ubuzima.

**Chanel HARINGANJI**

# Umuryango w'Ababikira b'Umushaha Utatyoye wa Bikira Mariya «Bene Mariya» waraye ubuze umunyamuryango



"*Uri intoranwa yanje Mana, ntacoza kikuruta* » Izabuli ya 16,1

Mama Mavakure Henriette ni umuwigeme avuka kuri Mavakure Anatole na Nikobahoze Fransiska. Yavutse ku wa 17 Ruhuhuma 1955, ku mutumba Mugenda wa Bihogo, Paruwase ya Muyaga muri Komine ya Cankuzo mu Buhumuza bwa Diyoseze ya Ruyigi. Yasangiye yongera ahabwa Ikomfirmasiyo itariki 21 Ruheshi 1962 i Muyaga.

Mama Henriette yagize indagano za mbere igenekerezo rya 22 Myandagaro 1983. Indagano Burundu yazigize ku wa 30 Mukakaro 1989. Yubile y'imyaka 25 yayigize itariki 23 Myandagaro 2008. Vyose vyabereye muri Paroisse BUSIGA.

***Ubuzima bw'umutumwa nk'umumisiyonari.***

Mama Henriette Mavakure yarungitswe n'Umuryango mu butumwa bw'ubumisiyonari mu gihugu ca Tanzaniya mu mwaka 1983, agiheza kugira indagano za mbere.

Yashikiye mu mubano wa Bene Mariya, muri Paroisse ya Kasangezi, Diyoseze ya Kigoma. Muri ico gihe yabanje kwimenyereza imico n'imigenzo y'abaho, ariga ururimi rwabo rw'igiha n'igiswahili.

Kuva mu 1985 gushika mu 1989, mama Henriette yararungitswe kwiga ivy'ubuforoma n'ukwakira abavyeyi, kw'ishure ry'i Kabanga.

Kuva mu 1993 gushika mu 1994, yaciye aja kwungura ubumenyi mu rurimi rw'icongereza mw'ishure ry'Iseminari ntoyi y'Idiyoseze ya Kigoma - Ujiji, yitiriwe Yozefu Mweranda, kugira ngo yitegurire ubutumwa bwakurikiye.

Kuva mu 1995 gushika mu 1997, yabandanije amashure i Fakara, muri Diyoseze ya Morogoro, aho yaronkeye urupapuro rw'umutsindo rw'ubuforoma.

***Ubutumwa n'amabanga yagiye arashingwa***

Mama Henriette, muri iyi myaka 40 yari amaze mu buzima bwo kwitura Imana n'ubumisionali muri Tanzaniya, yararanguye ibitari bike. Bimwe bimwe ni ibi : Yarabaye umukuru w'abaforoma mu bitaro vy'i Kabanga. Yarabaye umurezi w'abanovisi muri Tanzaniya. Yaraserukiye umukuru w'umuryango muri Tanzaniya. Yarabaye Mama Mukuru w'umubano.

Yarashizwe ubutumwa bwo kwandika imigambi (projets) yo gusaba imfashanyo abagiraneza kugira ngo bigishe ababikira amashure yisumbuye na Kaminuza. Yarabaye umuyobozi w'idispensaire ya Kasumu inyuma y'aho agiriye mu karuhuko (Pension) ko gukora mu bitaro vy'i Kabanga.

***Mama henriette Muvakure tuzoguma tumwibuka muri vyinshi.***

Mama Henriette yari umuzigamabanga. Yari umubikira afise umwete n'ubwira, yakunda umuryango yubatsemwo, akanawuhesha iteka.

Yari kandi umumisiyonari yitwararika ubutumwa yashinzwe. Nk'akarorero, igihe yakora mu bitaro vy'i Kabanga, yaritanga atiziganya akitwararirika ubuzima n'amagara y'abagwaye.

Muri ico gihe, yaguma yitwararika ibibeshaho umuryango nk'ukurondera abanovisi n'ugusomesha ababikira.

Kubera ko yarangura neza ubutumwa ashinzwe, agatanga raporo neza, iyo asavye imfashanyo ku bagiraneza yarazironka. Yari afitaniye imigenderanire myiza n'abo kakorana, abakuru b' Ekleziya n'abajejwe intwaro. Eka yaratubereye akarorero keza k'ubuzima bw'abituye Imana.

Mama Henriette yari umuntu akunda igisabisho, yubaha Imana n'abantu.

Amagara atanguye kumukika ntashobore gushika mu nkuka y'Imisa vyaramubabaza cane. Yicisha bugufi akagamburukira abakuru n'abato, akagira akanyamuneza, agasabikaniriza abandi ivyo aronse.

Yari umuntu atanga ikigongwe iyo hari uwamutsitayeko nk'uko abo bahora babana bamushingira intahe.

***Ivy'ingwara yiwe***

Mama Henriette bamutoye indwara y'igisukari (Diabète) mu mwaka 2015 ; yarivuza agatora mitende bukebuke. Ariko kuva mu mwaka uheze, ni ho yatangura kuguma agwaragurika akaza araja mu bitaro kenshi .

Muri uyu mwaka mu kwezi kw'indwi, niho yasaba gutaha i Burundi mu gihugu ciwe c'amavukiro kandi yasize asezeye abantu neza; ariko ntitwari twiteze ko Imana ica imuhamagara vuba, kuko kw'igenekerezo rya 23 Munyonyo 2023, niho yashengera. Hari mu bitaro vyo mu Mivo muri Diocese Ngozi. Akaba ashengeye afise imyaka 68 y'amavuko na 40 y'ubuzima bwo kwitura Imana mu muryango wa Bene Mariya.

Umukama yaratanze none yasubiye ku vyayo. N'ihezagirwe !

***Mama Heriette, ruhuka mu mahoro y'Imana wakunze ukayihebera n'ubuzima bwawe.***

*Ndongozi y'Uburundi*

# Kuva 2025, Intara ya Gitega izoba igizwe n'amakomine 9 *(Ibikurikira)*

7. Komine **Mwaro,** umugwa mukuru wa komine ni Mwaro, igizwe n'amazone 10. Nayo ni :

- Zone Bisoro igizwe n'imitumba 5: Buburu, Gitaramuka, Kiganda, Mabaya, Musumba.

- Zone Gatwe igizwe n'imitumba 7: Bwakira, Kanyami, Maga, Maraamvya, Nyagitongati, Nyamugari, Rwuya.

- Zone Gisozi igizwe n'imitumba 7 n'amakartiye 2: Buburu, Gisozi, Kibimba, Musivya, Ndava, Nyamiyaga, Rweza, kartiye Nyarukinya na Ruyange.
- Zone Kanka igizwe n'imitumba 6: Buhabwa, Kanka, Kariba, Masango, Nyabisiga, Rubamvye.

- Zone Kayokwe igizwe n'imitumba 7: Benja, Kibogoye, Musama, Ruramba, Rusivya, Ruvumu, Saswe.

- Zone Makamba igizwe n'imitumba 6: Gasenyi, Kirambi, Makamba, Nyamiyaga, Nyamurenga, Rwintare.

- Zone Muyebe igizwe n'imitumba 7: Bisoro, Gitunga, Migende, Murehe, Muyebe, Nyakibari, Rwankangoma.

- Zone Mwaro igizwe n'imitumba 7 n'amakartiye 3: Bisha, Gatare, Gihinga, Kizi, Ngara, Nkundusi, Rurtyazo, Kartiye gasumo, Kagoma na Ruvumera.

- Zone Nyakararo igizwe n'imitumba 6: Butegana, Kiyange, Mugero, Musimbwe, Nyagahwabare, Nyakigwa.

- Zone Rorero igizwe n'imitumba 4: Kirika, Kivoga, mashunzi, Munanira.

Yose hamwe ni imitumba 62 n'amakartiye 5 bigize amazone 10 ya Komine Mwaro.

8. Komine **Nyabihanga**, umugwa mukuru wa komine ni Nyabihanga, igizwe n'amazone 12. Nayo ni :
- Zone Fota igizwe n'imitumba 5: Fota, Gahondo, Gatsinga, Kigarama, Ngorore.

- Zone Kibungere igizwe n'imitumba 6: Buhogo, Kavumu, Kibungere, Martyazo, Musongati, Muyebe.

- Zone Matongo igizwe n'imitumba 5: Kamushiha, Matongo, Ngoro, Nyabisaka, Nyamurenge.

- Zone Mbogora igizwe n'imitumba 8: Butegeye, Gihoma, Kivomwa, Mbogora, Migera, Muhaganya, Muyange, Nyarubayi.

- Zone Munago igizwe n'imitumba 6: Gitaramuka, Kibogoye, Kibungo, Magamba, Munago, Nyamitore.

- Zone Murago igizwe n'imitumba 5: Bugera, Higiro, Kabogi, Murago, Rango.

- Zone Musama igizwe n'imitumba 5: Gisirtye, Iteka, Kirambi, Musama, Nyamibanga.

- Zone Ndava igizwe n'imitumba 5: Butazi, Gitaba, Mpanuka, Muyogoro, Ndava.

- Zone Nyabihanga igizwe n'imitumba 6: Gatwe, Kivuzo, Miterama, Mubuga, Murama na Taba.
- Zone Nyarucamo igizwe n'imitumba 5: Bugorora, Buyange, Kiga, Nkurunzi, Nyamigogo.

- Zone Rusaka igizwe n'imitumba 10 n'amakartiye 2: Gikebuka, Kibimba, kiyege, Martyazo, mpumbu, Mureba, Nyagashanga, Nyamugari, Rusaka, Shana, Kartiye Gasekebuya na Gihini.

- Zone Yanza igizwe n'imitumba 5: Kinyovu, Mahonda, Murambi, namande, Rucunda.

Yose hamwe ni imitumba 71 n'amakartiye 2 bigize amazone 12 ya Komine Nyabihanga.

9. Komine **Shombo**, umugwa mukuru wa komine ni Shombo, igizwe n'amazone 12. Nayo ni :

- Zone Gatonde igizwe n'imitumba 6: Gatonde, gitibu, Mazita, Nyenzi, Ruvumu, Taba.

- Zone Gihogazi igizwe n'imitumba 6: Bikinga, Gihogazi, Kibezi, Mugero, Murago, Ramba.

- Zone Gikombe igizwe n'imitumba 3: Butwe, Gaharo, Gikombe.
- Zone Masabo igizwe n'imitumba 6: Kabwira, Mugoboka, Ruharo, Rusasa, Ruyogoro, Rwimbogo.

- Zone Masama igizwe n'imitumba 5: Butamenwa, Masama, Rugwiza, Ruhuma, Rwinka.

- Zone Mugogo igizwe n'imitumba 5: Kizingoma, Mugogo, Ruvumu, Ruyaga, Taba.

- Zone Munanira igizwe n'imitumba 6: Gahoror, Kivoga, Munanira, Mushikamwa, Ruganira, Rutegama.

- Zone Nyabibuye igizwe n'imitumba 5: Bukirasazi, Gatabo, Gitaramuka, Kiryama, Nyabibuye.

- Zone Nyabikere igizwe n'imitumba 7 n'ikartiye 1: Maramvya, Mbabazi, Mubanga, Ngugo, Nyarunazi, Ruyogoro, Rwandagaro na kartiye gatamba.

- Zone Nyarurambi igizwe n'imitumba 4: Kigora, Kiyange, Muhigo, Muhororo.

- Zone Rusamaza igizwe n'imitumba 6: Bihembe, Gasenyi, Gasivya, Muzenga, Nyamiya na Rusamaza.

- Zone Rusi igizwe n'imitumba 4: Kivoga, Mujenjwa, Rusi na Shombo.

Yose hamwe ni imitumba 63 n'ikartiye 1 bigize amazone 12 ya Komine Shombo y'intara ya Gitega.

***Ibwirizwa N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.***

# Uburenganzira bw'abana bagendana ubumuga

Umwana agendana ubumuga ni umuntu wese afise imyaka itarashika cumi n'umunani agendana ubumuga bwo mu mutwe canke bw'ibindi bihimba vy'umubiri.

Abana bagendana ubumuga bwo mu mutwe canke bwo ku bindi bihimba vy'umubiri barafise uburenganzira co kimwe n'abandi bana.

Bakwiriye gukingirwa n'ukwitabwaho bidasanzwe hisunzwe ivyo bakeneye bafatiye ku bumuga bwabo kandi bigakorwa bubahirije agateka kabo.

Mu migambi yerekeye abana, ineza yabo na cane cane abagendana ubumuga itegerezwa gushirwa imbere kandi abana bamaze gukura bakaronka akaryo ko gushikiriza ivyiyumviro ku bijanye n'ivyo bakeneye hisunzwe ubumuga bwabo.

Uburenganzira bw'abana bagendana ubumuga butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu atandukanye.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'abana bagendana ubumuga butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye abagendana ubumuga,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye abana, ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu zerekeye kunganisha abagendana ubumuga n'abandi bantu

* Hamwe n'amasezerano ya afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

***a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu***

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kubaho n'ugukingirwa ata n'umwe akumiriwe. Ubu ni uburenganzira bwa kiremwa muntu wese n,abana bagendana ubumuga badasigaye inyuma.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 3 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye abagendana ubumuga***

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi akingira co kimwe abakomeye n'abagedana ubumuga. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 5 aho ivuga mu duce twa 1 na 2 ko abantu bose banganana imbere y'amategeko kandi ko abakingira kumwe.

Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano biriyamiriza ikumirwa rifatiye ku bumuga kandi bigakingira abagendana ubumuga ivyo vyose vyoza bibakumira hisunzwe ko bagendana ubumuga.

Abana bagendana ubumuga bafise uburenganzira bumwe n'abandi bana.

Ibi tubisanga mu ngingo y'7, mu gace kayo ka mbere, aho ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifata ingingo zose zikenewe kugira ngo abana bagendana ubumuga baronke nk'ivyo abandi bana barekuriwe.

Ineza y'umwana itegerezwa gushirwa imbere kandi n'umwana agendana ubumuga akaronswa akaryo nyako ko gushikiriza ivyiyumviro vyiwe ku ngingo zimwerekeye nk'uko iyi ngingo ibandanya ibivuga mu duce twa 2 na 3, ko ineza y'umwana agendana ubumuga itegerezwa gushirwa imbere mu ngingo zifatwa n'ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano kandi ko umwana akaronka akaryo ko gushikiriza ivyiyumviro ku ngingo zimwerekeye bivanye n'imyaka yiwe kandi hisunzwe n'ubumuga agendana ubwo aribwo.

***c) Mu masezerano yerekeye agateka k'abana***

Abana bagendana ubumuga barafise uburenganzira bwo kubaho neza no kuvurwa.
Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 23 mu gace ka mbere aho ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifata ingingo kugira abana bagendana ubumuga babeho neza mu buryo bwubahiriza agateka kabo kandi bashobore kwifasha hamwe n'ukubaho neza nk'abandi.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace ka 2, ko umwana agendana ubumuga afise uburenganzira bwo kuvurwa. Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano birafata ingingo zikenewe kugira abana bagendana ubumuga bavurwe hisunzwe uburyo buriho kandi abavyeyi canke abandi bareze umwana bakaronka imfashanyo yo kuvuza abana bagendana ubumuga.

***d) Mu ngingo z'ishirahamwe mpuzamakungu zerekeye kunganisha abagendana ubumuga n'abandi bantu***

Ingingo ya mbere, mu gace kayo ka 4, ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa gukora uko bishoboye kwose kugira ngo habeho inyigisho mu mashure ku vyerekeye ukungana n'ukudakumira abagendana ubumuga.

umwana agendana ubumuga arafise uburenganzira bwo kuronswa inyigisho co kimwe n'abandi bana.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abana bagendana ubumuga

(Bitangurira ku rup.10)

Ibi bitegekanijwe mu ngingo ya 6 aho itomora, mu gace ka 5, ko abana bagendana ubumuga bageze gutangura ishure, abana b'imiyabaga, abakuze cane cane abakenyezi bagendana ubumuga bategerezwa kwitabwaho mu buryo budasanzwe ku vyerekeye kuronswa inyigisho.

***e) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza vy'abana***

Abana bagendana ubumuga barafise uburenganzira co kimwe n'abandi bana. Ibi tubisanga mu ngingo y'7 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifata ingingo zose zikenewe kugira ngo abana bagendana ubumuga bubahirizwe mu mateka n'uburenganzira bwabo nk'uko bigenzwa ku bana batagendana ubumuga.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye aratomora uburenganzira bw'abana bagendana ubumuga, n'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

***2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira***

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 ryerekeye gukingira no guteza imbere abagendana ubumuga.

***a) Mw'Ibwirizwa Shingiro***

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike, amasezerano yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Umurundi wese arafise uburenganzira bwo gukingirwa n'amategeko aba akomeye canke agendana ubumuga.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 22 ivuga : "Abenegihugu bose barangana imbere y'amategeko kandi akabakingira kumwe. Nta muntu n'umwe ashobora gukumirwa kubera amamuko yiwe, ibara ry'urukoba rwiwe, ubwoko bwiwe, igitsina ciwe, ururimi avuga, uko abayeho mu gihugu, idini ryiwe, ivyiyumviro nyamukuru vyiwe ku vyerekeye ubuzima canke intwaro y'igihugu canke kubera ubumuga canke kubera afise umugera wa SIDA canke iyindi ndwara iyo ari yo yose idakira".

Ibwirizwa Shingiro rirategekanya ko umwenegihugu wese afise uburenganzira bwo kuronswa inyigisho. N'umwana agendana ubumuga arafise ubwo burenganzira.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 53 ivuga iti : " Umwenegihigu wese arafise uburenganzira bungana n'ubw'abandi bwo guhabwa inyigisho, indero n'ukubaho yisunze imico kama n'akaranga vy'igihugu ciwe".

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuvurwa. Ibi tubisanga mu ngingo ya 55 aho ivuga iti: "Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuvurwa."

Ubu burenganzira n'ubwa kiremwa muntu wese yaba uwugendana ubumuga canke uwutabufise.

***b) Mw'ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 ryerekeye gukingira no guteza imbere abagendana ubumuga mu Burundi***

Umwana yavukanye ubumuga arafise uburenganzira bwo kwandikwa mu bitabo ndangamuntu, kuronswa inyigisho, gukingirwa, n'ibindi.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 23 ivuga ko umuryango utegerezwa gukorera umwana yavukanye ubumuga ivyo igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi gitegekanya ku vyerekeye umwana kuva akivuka.

Abavyeyi bategerezwa kwandikisha umwana yavukanye ubumuga mu bitabu ndangamuntu kandi bakamubungabunga mu buryo bwose.

Umwana yavukanye ubumuga ntakwiye gukumirwa n'abo mu muryango wiwe. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 24 ivuga ko umwana agendana ubumuga afise uburenganzira bwo kuba mu muryango wiwe kandi akitabwaho akaronswa ivya nkenerwa umwana wese akenera.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umwana agendana ubumuga ari umwana co kimwe n'abandi bana kandi afise uburenganzira co kimwe na bo.

Twabonye ko uwugendana ubumuga afise uburenganzira bwo kuba mu muryango wiwe, kugira uruhara mu bikorwa bikorerwa mu kibano kandi ko adakwiye kwigizwa kure y'abo mu muryango wiwe, kiretse iyo bivuye ku magara yiwe canke kugira yoroherezwe ku vyo akeneye.

Ikindi ni uko mu migambi yerekeye abana, ineza y'abana bagendana ubumuga itegerezwa gushirwa imbere kugira babeho neza mu buryo bwubahiriza agateka kabo kandi bashobore kwifasha n'ukubaho neza nk'abandi bana.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yo ku musi mpuzamakungu ugira 7 wahariwe aboro

*(Bitangurira ku rup.3)*

Ubukengurutsi twerekeza kuri abo bitanga bubwirizwa kuba igisabisho kugira intahe bashinga yame vyinshi.

6. Mu guhimbaza isabukuru y'imyaka 60 y'ikete ryiswe Pacem in terris (Amahoro kw'isi), birakwiye ko dusubira kwiyibutsa amajambo y'Umweranda Papa Yohani wa XXIII (23) aho yandika ati: "zina kiremwa muntu wese arafise uburenganzira bwo kubaho, gusonerwa mu buzima bwiwe, kuronka uburyo bukwiye kugira abeho neza cane cane ku vyerekeye gufungura, kuronka ico yambara, aho akika umusaya, akaruhuko, ukwivuza be n'ibindi vyose vya nkenerwa mu kibano.

Nico gituma, umuntu wese afise uburengazira bwo gucungererwa umutekano w'amagara yiwe igihe ari ku musego, atewe n'ubumuga, ugupfakara, ageze mu zabukuru,mu gihe ata kazi afise mbere n'iyo bishitse akabura ivyo kwibeshaho biturutse ku mvo zitamuvuyeko"(n.6).

Impinga iracari ndende kugira ngo iyo mvugo ije mu ngiro cane cane kandi no mw'itunganywa ry'ivy'intwaro n'amategeko bibereye. Nubwo mu ntwaro no mu ndinganizo y'amategeko hatabuzemwo agahonzi gatuma hatabaho kubona ineza rusangi no kuyikora, ese hoboneka muri bene gihugu benshi abitwararika ugushigikirana n'ugufatana mu nda, mu mpande zose, ku neza y'aboro bacu.

Harakenewe gukabura no guhimiriza inzego nshingwantwaro kugira zishire mu ngiro ico zijejwe. Yamara bizoba impfagusa kuguma twiteze ibivuye "hejuru" gusa.

Nico gituma n'aboro dutegerezwa kubafasha bakugururura amaso nabo nyene bakagira ico baterereye muri iyo ngendo yo guhinduka no kugira uruhara.

7. Birateye agahinda kubona haguma hibonekeza ubundi bwoko bw'ubukene buza bwiyongera kuri ubwo duhejeje kuvuga.

Aha ndiyumvira cane cane abantu bari mu turere turimwo intambara, abana batiyumva muri kubu ntibashobore kwiyumvira ko kazoza keza gashoboka.

Ntawomenyera akaziri nk'ako, dukomeze nyabuna ingendo yose yotuma amahoro asasagara nk'ingabirano y'Umukama yazutse, nk'icamwa gikomoka ku butungane n'ibiganiro.

Sinokwirengagiza ivyiyumviro vyo mu mpande zitandukanye bituma haba iduzwa ry'ibiciro riteye ubwoba, rigakwegera gutyo imiryango myinshi kuba ntahonikora. Imishahara baronka ntimara akanya; ivyo bigatuma habura ibitari bike vya nkenerwa vyofashije kubaho neza.

Igihe umuryango uhitamwo hagati y'ugufungura no kwivuza, ni ngombwa ko ijwi ry'abashigikira uburenganzira bwo guharanira ivyo bibiri icarimwe "imfugurwa n'imiti", naryo nyene ryumvirizwa kubw'agateka ka kiremwa-muntu.

Ni gute twokwirengagiza kubona ingendo itagira ubuntu mu bijanye n'akazi ?

Hariho ugucinyizwa ku gitigiri nyamwinshi c'abakozi baba abagabo canke abagore; ibura ry'agahembo kajanye n'igikorwa carangutse; ukutagira icerekezo co muri kazoza; abatari bake bahitanwa n'amasanganya, ivyo vyose bigaterwa cane cane n' ivyiyumviro vy'abishakira inyungu mu guhungabanya umutekano…

Amajambo y'umweranda Yohani Paulo II araharuka mu muzirikanyi aho agira ati : « ishingiro nyamukuru ry'iteka n'agaciro k'igikorwa ni umuntu ubwiwe ( …).

Umuntu ahamagariwe gukora kandi igikorwa kiriho « kubw'umuntu» ariko si umuntu ahari «kubw'igikorwa» (enc. Laborem exercicens, n.6).

8. Ico gitigiri ubwaco giteye ubwoba nticerekana ku buryo bushimishije impande zose z'ubukene turimwo mu buzima bwa misi yose. Sinoreka kuvuga ingene abantu babayeho nabi bigasiga imvune cane cane mu rwaruka.

Ni bangahe uyu musi baseserewe ku mutima mbere bigatuma urwaruka rwiyahura rumaze guhendwa n'imico n'imigenzo y'ubu gushika naho ruba rutacifisemwo umwizero, maze rukifata nk'uko ataco rwoba rukimaze kuri iyi si.

Ni tubafashe bashobore guhangana n'ivyo vyose bibaryosharyosha kugirango umwe wese ashobore gutora inzira y'ukuri yokurikira gutyo bashobore kuronka akaranga keza bakomere, bamenye kwitanga.

Biroroshe iyo tuvuga abakene, bigaherera gusa mu majambo. Hariho n'uburyo bwo kurwa mu nyoshambi z'ukubesha, tugahereza mu kurondera ibitigiri gusa. Abakene ni abantu bafise agashusho k'umuntu, bakagira kahise kabo, imitima n'imishaha.

Ni basaza bacu na bashiki bacu, bafise ivyo bashoboye n'amagara make nk'abandi bose ; birakenewe kugiriranira imigenderanire nabo umwe umwe ukwiwe badafatiwe mu kivunga.

**Biracaza**

***Yahinduwe mu Kirundi n'igisata kijejwe Ubutumwa n'Inyigisho ndoramana.***